Ibibazo uzobaza mu gihe usaba Ubuvuzi bwa UNM canke ubuvuzi hanze y’akarere (UNM care or Out of county care)

Umuntu wese asaba gufashwa n’Ubuvuzi bwa UNM canke ubuvuzi hanze y’akarere (UNM care or Out of county care) azohabwa uwumufasha muvy’amahera amwuzurize igipapuro gisaba. Urasabwe kuduhamagara usabe guhura nuwuzogufasha. Ni waduhamagara utumenyeshe ko wipfuza guhura nawe amaso ku maso canke muvugane kuri terefone.

Mu gusaba umubonano, urasabwe guhamagara **505 272-2521 canke 877 909-6661** (ku buntu) kuva kuwa mbere gushika kuwa gatanu hagati ya 8:00 z’igitondo na 5:00 z’umugoroba. Dufise ababafasha bavuga ikiespanyore, ikivietnam na Navajo Mu gihe imwe muribo atahari turaguhuza nuwundi, haba kuri terefone canke video.

Turungika abasobanura mu ndimi zirenga 200 harimwo n’abakoresha ibimenyetso. Ibikorwa vyo gusobanura ni k’ubuntu. Dusabwa n’amategeko guha umusobanuzi uwo wese amukeneye.

Aka gatabu kagutegurira umubonano m’uwuzogufasha muvy’amahera. Kadondora amakuru atandukanye n’impapuro zizokenerwa mu kuzuza ubusabe bwawe ku buvuzi bwa UNM canke ubuvuzi hanze y’akarere (UNM care or Out of county care).

Tuzokubaza ibikwerekeye

Tuzokubaza ivyawe. Akarorero –

- Izina ryawe?
- Uba hehe? Inomero ya terefone? Imeri?
- Itariki yawe y’amavuka?
- Udafise ubwishingizi mu kwivuza? Nimba Ari ego ni ubuhe?

Tuzokubaza abo utunze munzu

Ku barwayi bafise imyaka 18 canke irenga, “abo munzu” shiramwo umurwayi, uwo bubakanye, nimba Ari umwe Kandi buri muntu asabwa kwerekana ama tagisi arihigwa. Iyo migambi 2, abarihigwa ama tagisi babwirirwa kuba babana nawe kugira baharurwe nkabo munzu yawe.

Kubarwayi bo musi y'imyaka 18, abo munzu babwirizwa kujamwo umugwayi n'abavyeyi biwe, na buri muntu n'abavyeyi biwe canke abamurera baharurwako abarihirwa ama tagisi.

Niwaba ufise ibibazo vyerekeye ababayeho kuri wewe, usabwa kwegera igisata kijejwe ubutunzi mugihe bariko bakumviriza.

Dushobora kubaza ibibazo vyerekeye abo munzu yawe—

- Abo mu muryango mubana mu nzu?
- Imyaka ya buri umwe wese?
- Bapfana iki na buri umwe wese apfana iki n'uwugwaye?
- Ni ubuhe bwoko bw'ubwishingizi (nimba buhari) umwe wese afise?

Tuzokubaza ayo binjiza mu nzu

Tuzokubaza angahe mwinjiza n'ayo umwe wese munzu yinjiza buri kwezi mu rugo rwawe buri kwezi. Ivyo bizotwereka yose ayinjiye **Yose hamwe** amahera yinjiye niyo mahera wakoreye **imbere** yo kurungika ama tagisi canke nibindi vyishurwa. Umaze kumenya ayinjira yose bidufasha kumenya ko tukwemerara canke tukwima ubufasha bw'Ubuvuzi bwa UNM canke ubuvuzi hanze y'akarere (UNM care or Out of county care).

Tuzokubaza nimba uronka New Mexico SNAP, TANF, na/canke inyungu za WIC. Nimba ukwije ibisabwa, uba umaze kuronka ibisabwa ngo wemerwe kuronka gufashwa n'Ubuvuzi bwa UNM canke ubuvuzi hanze y'akarere (UNM care or Out of county care).

Tuzokubaza ingene winjiza amahera kandi ni amahera angahe winjiza. Tuzokubaza kandi nimba ufise ubwishingizi kandi nimba wabuhawe n'akazi.

Tuzokubaza kandi ico kibazo nyene kuri buri muntu wo munzu. Tuzokubaza nimba hari ayandi mahera wewe canke abo munzu binjiza. Akarorero- Inyungu z'ubwitegekanirize, guhembwa ayo ubusomeri, ay'ubukukuruke, ay'ubumuga, na biro vy'inyungu vy'abahindi.

Tuzokubaza ibipapuro bigushigikira

Uhejeje Kwuzuza ivy'ubusabe bwawe, tuzogusaba kuzana **ibipapuro bigushigikira** uzosabwa kurungika. Tuzogusaba bimwe mu bipapuro bishigikira tuzokenera gusuzuma uwuriwe, aho uba, ayo uhembwa n'ayo ufise muri Banki n'imitahe ufise. Aya makuru yose adufasha kubona ko ukwiye kwemererwa n'Ubuvuzi bwa UNM canke ubuvuzi hanze y'akarere (UNM care or Out of county care).

Raba neza ko utazoduha ibipapuro vyambere. Dukeneye ama kopi gusa.

Uwuriwe (Akarangamuntu)

Tuzogusaba kuzana buri rupapuro kuri **buri muntu wo munzu**.
Izi mpapuro zidufasha gusuzuma ibiranga buri muntu mu bo munzu.
Tuzokwemera buri rupapuro ruvuzwe musi (kopi gusa).

- Igitabo c'inzira (ica Amerika canke ikinyamahanga)
- Icemezo c'amavuka (ikinyamahanga canke ica Amerika)
- Ifoto ya karangamuntu (uruhusha rwo gutwara imodoka canke ikarata yose itangwa na leta, ikarata y'akazi canke y'ishure)
- Ikarata y'ubwitegekanirize kazoza
- Icemeza c'amaraso c'ubuhinde
- Impapuro zemeza gutandukana kw'abubakanye
- Impapuro z'amanota y'ishule canke aho barera abana ku murango
- Izindi nyandiko za leta, nka viza (na viza zataye igihe)
- Inyandiko y'uwujejwe ikibazo cawe, uwujejwe amagara mu karere, ikigo mu karere kikuzi neza

Udafise ibi bidondaguwe hejuru, usabwe kutumenyesha. Tuzokorana nawe kugira ngo uronke urundi rwandiko kugira ngo ukwize ibisabwa ku mwidondoro. Wibuke, **ntubwirizwa** kugira ubwenegihugu bwa Amerika canke ubwimukira kugira wemererwe gufashwa n'Ubuvuzi bwa UNM canke ubuvuzi hanze y'akarere (UNM care or Out of county care).

Uba hehe (Aho uba)

Tuzogutuma kuzana urupapuro hariko izina ryawe n'aho uba. **Ukeneye rimwe kuri mwese abo mu nzu.** Tuzokwemera urupapuro urwarirwo rwose rwavuzwe hepfo (kopi gusa).

- Impapuro zo kwishurirwako
- Ubwishingizi bw'imodoka
- Ama fagitire (umuriro, gaze, amazi, Terefone na interineti)
- Gukota, ingurane, canke urupapuro rw'ama tagisi ku mitungo
- Ayandi ma fagitire canke inyandiko
- Icemezo co kwiyandikisa canke umwana mw'ishure
- Ingaruka z'ama tagisi

- Ubwitegekanirize, ubumuga, izabukuru, canke ibipapuro c'ubusaza
- Inyandiko y'uwujejwe ikibazo cawe, uwujejwe amagara mu karere, ikigo mu karere kikuzi neza

Iyo udafise izo mpapuro zavuzwe, dushobora gukorana nawe tukemera izindi zitavuzwe.

Ukorera amahera angahe (Ayinjira)

Iyo utagira aho uba, wahomvye, canke uriko uraronka SNAP, TANF, canke inyungu za WIC dushobora kugutuma ibipapuro bivyerekana. Nk'akarorero ikete, rivuye kuwujejwe kumviriza, canke ikigo co mu karere kizi neza ivyawe, inyandiko za sentare, canke inyandiko y'igisata c'abakozi.

Tuzogusaba kuzana ivyemezo vy'ayo uhembwa nabo munzu yawe buri kwezi. Tuzokwemera impapuro izo ari zo zose zavuzwe musi (kopi gusa).

- Impapuro zo kwishurirwako
- Ingaruka zama tagisi
- Inyandiko y'umukoresha ivuga ayo uhembwa buri kwezi
- Ayabitswe kuri bank
- Ikete canke inyandiko ziva mu kigega c'ubwitegekanirize, amahera ava mukazi, ibitabo vy'abakukuruke canke ivya biro y'ivy'ubuhindi
- Ibitabo vy'uwikorera utwiwe
- Inyandiko y'uwujejwe ikibazo cawe, uwujejwe amagara mu karere, canke ikigo mu karere kikuzi neza n'ivyawe

Iyo udafise izo mpapuro zavuzwe dushobora gukorana nawe tukemera izindi zitavuzwe.

Udashoboye kwerekana ayo uhembwa canke ngo ube utanahembwa, ushobora kuvyandika ukabivugs. Inyandiko yawe Ibwirizwa no kwerekana ayo ufungura ku musi, inzu no kwiyunguruza.

Ufise amahera angahe kuri Banki n'imitahe uko ingana (Imitungo)

Tuzogusaba kuzana ibipapuro bishinga intahe ayo ufise muri banki n'imitahe ufite. Imitahe ishobora kuba Ari ibintu biri mu bubiko canke amahera ari mu mpapuro.

Kugira wemerewe gufashwa n' Ubuvuzi bwa UNM canke ubuvuzi hanze y'akarere (UNM care or Out of county care), ntushobora kuba urenza $20,000 yose muri konti ya Banki (ayabikijwe n'ayazigamwe) n'ayari mu mitahe.

Ntituzogusaba kubikuza amahera yawe y'izabukuru canke ayo wabikije (CDs) kugira uze kuriha fagitire kwa muganga. Ariko iyo wamaze kubikuza muri uyu mwaka canke amahera yawe yarungutse muri uyu mwaka, ni ukuvuga ko itariki yageze kugira imitahe yawe iguhe inyungu, ayo mahera aharurwa nk'ayinjira.

Tuzokwemera inyandiko ya vuba y'ayabikijwe, atazigamwe, n'ayashizwe mu mitahe (kopi gusa)

Menya neza: inzu yawe, imodoka n'amahera y'izabukuru atajamwo. Ntubwirizwa kurungika urupapuro na rimwe rw'ivyo.

Dushobora kukubaza bimwe mu bindi bibazo

Akarorero-nimba ukeneye ukwitabwaho kwa muganga kubera impanuka, tuzokubaza n'ayandi makuru. Dushobora kukubaza ngo yari impanuka bwoko ki? Harategekanijwe uko irihwa n'ivyo kukazi? Urashobora kutwereka urupapuro urwarirwo rwose rujanye niyo mpanuka? Mwaravuganye n'umunyamategeko?

Nyuma tukubaza ibi bibazo bibiri

1) Uraha uruhusha ibitaro vya UNM uruhusha rwo gusuzuma inyandiko zayo winjiza banasuzume ingano y'abo mu nzu yawe (abo mubana) mugihe co kugenzura ubusabe bwawe bwo gufashwa n'Ubuvuzi bwa UNM canke ubuvuzi hanze y'akarere (UNM care or Out of county care)?
2) Urashobora kwemeza ko amakuru watanze mu gusaba ariyo kandi ari ay'ukuri?

Tuzovugira hejuru buri kibazo Kandi tugusabe nawe kwishura uvuga cane.